REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

Ikiganiro Umugwi w'igihugu wigenga ushinzwe

gutunganya amatora « CENI » ushikirije abamenyeshamakuru

Bujumbura, igenekerezo rya 26 Kigarama 2014

Bashingantahe,

Bapfasoni bamenyeshamakuru mwese,

Umugwi w'igihugu wigenga ushinzwe gutunganya amatora « CENI » ubanje kubipfuriza umusi mukuru mwiza wa Noëli n'umwaka mushasha mwiza buca utangura.

Turabashimiye ingene mwitanga mu kumenyesha Abarundi n'amakungu ingene ibikorwa bitegura amatora yo mu 2015 biriko biragenda.

Mu bihe nk'ibi bitegura amatora, vyoba vyiza Abarundi twese dukoze mu bwitonzi, tugashira imbere amahoro n'umutekano vy'igihugu. Iryo tunga risumba vyose rikeneye inkingi zibiri nkurunkuru: **imvugo ihumuriza, ingendo n'ibikorwa bishigikira amahoro n'umutekano**.

Umurwi w'igihugu wigenga ushinzwe gutunganya amatora « CENI » ntaco woshobora wonyene udashigikiwe n'Abarundi bose : abari mu migambwe n'abatari mu migambwe.

Kubw'ivyo, urashobora guhura n'intambamyi zimwe zimwe zivuye ku ntambwe Uburundi bugezeko mu ngendo ya demokarasi n'amatora, canke zivuye aho igihugu cacu kigeze mu vy'ubutunzi.

Umurwi « CENI » uritanga aho ugeza, uraganira ubicishije mu nama n'inzego zose zifise ico ziterera mu gutegura neza amatora yo mu 2015.

Bashingantahe, Bapfasoni,

Inama yo ku wa 22 Kigarama yaraduhaye umwizero kw'ibiganiro ari inzira irashe ; ifasha Abarundi kumenya no kumva umurimo igihugu cashinze « CENI » n'ingorane uwo murwi ushobora gucamwo.

Umurwi « CENI » usavye Abarundi bose cane cane abanyeporitike kumva iyo tuvuye ; aho Uburundi bugeze n'iyo buja. Amatora Uburundi bwacu buriko burategura ntashobora gusa n'ayo mu bihugu bimaze imyaka ijana canke irenga biri mu ngendo ya demokarasi n'amatora. Uburundi buracatera intambwe ya mbere muri demokarasi.

Mu bikorwa umugwi CENI uheruka gushikiriza Abarundi haravuzwe vyinshi kuri « Karangamuntu » ; gushika aho izindi mpapuro zarekuwe gukoreshwa zitavuzwe cane mu bijanye n'iyandikwa ry'abipfuza gutora canke kwitoza mu 2015.

Dusavye Abarundi bose kurema. Urutonde rw'abazotora, umurwi « CENI" urafise ubuhinga buhagije bwo kubitosora no kubuza umuntu yoba yariyandikishije kabiri canke karenga gutora kabiri.

Mu nama yabaye ku musi wa mbere kw'igenekerezo rya 22 Kigarama, harafashwe ingingo ihambaye, nayo ni iyi : **nta muntu n'umwe azorekurirwa gutorera uwundi mu matora yo mu 2015. Ivyo bizotuma abashaka kwiba batumye abandi kubatorera batabishobora.**

Bashingantahe, Bapfasoni,

Iyindi ngingo ihambaye yashikirijwe ni iyo **guha uburenganzira bwo kwiyandikisha abatabishoboye ku mvo zitandukanye harimwo no kutagira « Karangamuntu ».**

Ico gikorwa kizotegurwa neza ; kibe muri ca gihe umugwi CENI umanika mu gihugu hagati ivyavuye mw'iyandikwa rya mbere. Tuzotegura ico gikorwa turi kumwe n'abarongoye intwaro n'imigambwe mu gihugu hagati. Abipfuza gukurikira ingene kizogenda barahawe ikaze !

Mu nama yo ku wa 22 Kigarama, hari abashikirije icipfuzo ko Uburundi bwokwinjira vuba mu buhinga bushasha bwitwa « Biométrie ». Turetse ko ubwo buhinga buzimvye ku gihugu kitavyiteguriye, n'umwanya w'uwo murimo ntawo Uburundi bugifise uravye amezi asigaye ngo Abarundi batangure amatora.

Abitavye inama yo ku wa 22 Kigarama, baraneguye ingendo y'Abarundi bamwe bamwe yerekana imico yatitutse cane cane ku kibazo c'itangwa n'ikoreshwa rya « Karangamuntu » mu vyo kwiyandikisha.

Abarongoye abandi bakwiye kubaba hafi babibutse akamaro k'amategeko cane cane mu vyerekeye ingendo y'amatora na demokarasi. Umurwi CENI usavye abarongoye intara, amakomine, imitumba n'amakaritiye kwigisha kuva uno musi ko ikarata karangamuntu itaronderwa buca haba amatora gusa.

Ikarata karangamuntu iranga Umurundi n'Umurundikazi wese akwije imyaka yo kuyironka. Umurundi wese yarakwiye kuyigendana umwanya wose.

Mu kurangiza, umugwi w'igihugu wigenga ushinzwe gutunganya amatora « CENI » urashimiye abanyeporitike n'abagenzi b'igihugu cacu bose bibukije Abarundi n'inzego z'igihugu ko kubahiriza ikirangamisi c'amatora yo mu 2015 ari ntibukuka ku neza y'igihugu, amahoro n'umutekano mu Burundi bwacu. Gutora inzego zizorongora igihugu mu myaka itanu iri imbere ni umugambi uhambaye Abarundi twese duhamagariwe kubahiriza.

Abarundi bose bafatanye mu nda, nta nkeka ko bazoshikira amatora meza, atekanye.

Murakoze.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CENI
COMMISSION ELECTORALE NATIONALE INDEPENDANTE